**JESUS CAME BY WATER AND BLOOD**
**1 John 5:1-12**
Lesson 74
Memory verse: "*However, one of the soldiers pierced his side with a spear, and immediately blood and water came out.*" **John 19:34**

**YESU YARAJE ACA MU MAZI, AVA MARASO, ATANGA MPWEMU YERA.**

**1 Yoh. 5:1-12**

**Icirwa ca 74**

Ijambo ryo gufata k'umutwe : « **Ariko umwe mu basoda amucumita icumu mu rubavu, ako kanya hava amaraso n'amazi » Yoh. 19:34.**

**I. Yesu amaze gushika mw'isi yaciye he ?**

**Mu mazi:** Vyukuri Umwami Yesu imbere yuko atangura gukora igikorwa nyezina camuzanye mw'isi ; yabanje guca mu mazi arirwo rubatizo yakorewe na Yohana mu ruzi Yorodani. Iyi yari intambuko ya mbere yo gukiza abantu ivyaha vyabo.

**Mu maraso :** Ni ivyari bikenewe ko Yesu aza yambaye umubiri w'abantu kugira azorihe indishi y'ivyaha vyabo mu kumena amaraso yiwe k'umusaraba. Soma **Abaheb.9 :22** *« Nkuko ivyagezwe biri, ibintu ni nka vyose vyozwa n'amaraso, kandi iyo hatavuye amaraso ntihaba guharirwa ivyaha. »*

**Muri Mpwemu Yera :** Yesu yari Imana. Aza mw'isi yambaye umubiri ariko muri we ari Mpwemu w'Imana kugira ngo abe incungu y'abari n'umubiri bose. Uwizeye Umwami Yesu aba yizeye na Data na Mpwemu Yera. Mu gihe umuntu yizigiye Yesu akabatizwa mu mazi, akozwa n'amaraso yiwe agakurikiza no kubatizwa na Mpwemu Yera ; azonesha isi n'ibibi vyayo vyose kandi aba afise ubugingo budashira.

**II. Ni bande bashobora kuzotsinda isi n'ivyayo?**

**1 Yoh 5:5-6** haratubwira "*Ni nde atsinda isi, atari uwizera ko Yesu ari Umwana w'Imana ? Ni we Yesu Kristo yaje agaca mu mazi no mu maraso* ; ..." vyukuri uwashoboye kunesha Satani ni Yesu n'abamwizeye bonyene. Aba bose bizeye

mw'ijambo ry'amazi, amaraso na Mpwemu Yera nibo bozoboneka batsinze isi, Satani n'umubiri.

**III. Yesu yanesheje isi. Bisigura iki ?**

Isi niyo umuntu abayemwo. Umuntu wese abona ko yoba yaragiriwe neza ; igihe aba ataco yokwipfuza ngo akibure (ivyokurya, ivyambarwa, aho kuba, amafaranga, umuduga…) kuko ibi bituma yemerwa aho ageze hose. Ikiboneka ni uko uwubironderanye umwete wose, akenshi ntiyiyumvira ibijanye n'ubugingo budashira.  Yesu yaje kugira atsinde isi mu kuyaka ububasha bwo kubohera abantu mu vyipfuzo vyo kurondera ubutunzi gusa.

**IV. Ni gute womenya ko wakijijwe.**

**1 Yoh 5:8** : "Kuko *ibishinga intahe ari bitatu, Mpwemu, amazi n'amaraso.* **»**

Ibi bitatu nivyo Yesu yakoze kubwacu. Ari navyo dutegerezwa kubamwo kugira tumenye ko twakijijwe. Kubatizwa, kwezwa mu maraso ya Yesu no kubatizwa na Mpwemu Yera.

•Nkuko yesu Kristo yabatijwe mu ruzi Yorodani kandi birakwiye ko uwizera agera ikirenge mu ciwe. Dusabwa gukurikiza ico twabonaye Yesu canke intumwa ziwe kuko, agakiza gaturuka ahandi atari mu bayuda katokwemerwa. **Yoh. 4:22**

•Ukwezwa mu maraso ya Kristo ni ntabanduka. Kwezwa mu maraso ya Yesu bituma umuntu atsinda kameremere k'icaha yavukanye, akisanga atagikunze icaha na gato ; ivyahora bimubera inyungu kera akabibona nk'uruhomo.
•Kubatizwa muri Mpwemu Yera. Uyu  agereranywa n'umurariri zi w'umugeni. Niwe amutunganya kugira azoshimwe n'umukwe. Amwereka ivyo umukwe akunda akamufasha kuba arivyo akurikiza. Ni nawe amutwara akamushikiriza umukwe. Na Mpwemu Yera niwe twahawe nk'umwitsa. Yambika ububasha abageni.  Niwe azobaterurira mu kirere umukwe ashitse. Kuwutamufise ntazomenya n'ibiriko biraba azovyumvira mu makuru yo mu maradiyo.

→Mu gihe hari ikibuze muri ibi bitatu, aba ari ikibazo. Mu kuronka ibi vyose ; bisaba gusenga ubudasiba.

**V. Noshobora gutsinda isi na Satani?**

**Abo i Filipi 4:13.** « *Nshobozwa vyose n'uwumpa inkomezi* » Ni Yesu ashobora kuguha inkomezi zoshobora gutsinda Satani n'isi. Biragusaba ko ugira ukwizera mu maraso yaviriye k'umusaraba. Nkuko Kristo yanesheje Satani niko abamwizera bose bisanga baramutsinze nabo.  Igihe cose uwizera Kristo atewe n'ibitero vya Satani, asabwa guhagarara ashikamye akatura cane amaraso ya Yesu mu majambo yumvikana akaririmba indirimbo z'amashimwe. Satani ntashobora guhagarara nagato imbere y'uwizeye akatura amaraso ya Yesu.

**VI. Ni bande bitwa abagororotsi imbere y'Imana?**

Abo Imana yita abagororotsi ni abo bose bemera mu mitima yabo ko ari abanyavyaha imbere yayo. Abafise imitima bene iyo ; bama bariko baricuza ku makosa yabo ya buri musi. Imana nayo yama iriko iraboza ivyaha, ibicumuro n'ibigabitanyo vyabo. Igihe kirashika bakisanga ivyaha vyose vyahora bibatandukanya n'Imana barabihevye basigaye ari abagororotsi koko imbere yayo. Biranasaba ko wizera ko wahariwe, ugushishikarira ukugororoka kuva mu maraso ya Kristo.

Imana ntizokwita abagororotsi abantu bataricuza ngo bumve bababajwe n'ivyaha vyabo ngo bibatere kuvyihana no kubireka. Uwukora ivyiza imwita umugororotsi ; uwukora ibibi, imwita umunyavyaha.

**VII. Mbega ukizwa kangahe mu buzima.**

Igihe umuntu akuze akarwara iryinyo, akarishira umuganga arashobora kurirandura kandi, ntirizosubira kumubabaza uretse niba ryaracikiyeyo. N'icaha ntaho kigaruka kuwacihanye  uretse cariyorobetse muri we. Ukwezwa ni ukurandurana n'imizi kamere y'icaha.

**VIII. Gushira mu ngiro.**

Umwami Yesu yemeye kuza mw'isi arabatizwa, arababazwa k'umusaraba ahavira amaraso n'amazi, aturungikira Mpwemu Yera kugira duharirwe ivyaha vyose vyadutandukanya n'Imana. Kuwumwemereye, arahabwa ubugingo budashira. Nawe niba womwizera ; ukumva hari ico ugikeneye ; urashobora guhaguruka ugasenga ubu nyene ; araguhindura umugororotsi akugabire Mpwemu Yera.